www.kidworship.kr

# Mose I ( Akana Mose)

- 14th Story -



94Page



95Page



96Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abisirayeli bari babaye muri Egiputa imyaka amajana ane. Egiputa yuzura abisirayeli baje kwiberaho kubw'ubuntu bw'Imana. Ariko uko binyogera ubwinshi niko vyatera umwami wa Egiputa kubangamirwa. |
| Farawo | Abisirayeli basigaye basumba ubwinshi abanyegiputa. Boshobora kutunesha mu gihe hoba intambara hagati yacu. |
| Uwuvuga | Ni uko Farawo agira abisirayeli abaja mu kubakubita hamwe no kubarya umutima. |
| Umunyegiputa | Nyarutsa! nyarutsa! Hakenewe amatafari menshi! Muriko murakora iki ngaho! Eeh!!(Pa! pa!) |
| Umugabo | Aaargh!Aaaarrgggh! |
| Umugore | Mana, dutabare! Dukize Egiputa! |
| Uwuvuga | Abisirayeli bari abaja bakora badahumeka. Babwirizwa gukora cane nk'uko abanyegiputa babibategeka. Ariko uko abanyegiputa babaturubika niko ahubwo barushiriza kugwira ku bw'ubuntu bw'Imana. |

---

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umusi umwe Farawo ahamagaza abakirizi bose bo mu gihugu. Abakirizi ni abantu bafasha mu gihe co kwibaruka. |
| Farawo | Niyo umugore w'umwisirayeli yavyara umukobwa, muzomureke akure, ariko nihavuka umuhungu, muzoce mumuterera mu ruzi Nile! |
| Uwuvuga | Ariko abo bakirizi batinya Imana barokora abana b'abahungu. Hanyuma Imana irabahezagira. Farawo yategura kugumana abisirayeli nk' abanyagano biwe igihe cose , ariko Imana yumva amaborogo yabo ishaka kurokora ihanga ryayo. |

---

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umunsi umwe umugore w' umunyisirayeli avyara uruyoya rw'umuhungu urwo ruyoya rwari ruteye igomwe bituma nyina bitamworohera ko nyina aruta mu ruzi Nile aca ahitamwo kurunyegeza amwonsa mw'ibanga amezi atatu. Ariko urwo ruyoya rurarira cane ku buryo ataba agishobora kumunyegeza. |
| Nyina w'umwana | Mana, zigama iki kibondo cacu! |
| Uwuvuga | Nyina w'uwo mwana aratakambira Imana cane hama arava aronka agatebo kajishwe mu nkorogoto agahoma ikaburimbi n' ishishi kugirango ntikazove ngo amazi ashikire uwo mwana. Aca atereka wa mwana muri ka gatebo akanyegeza mu rufunzo rwo ku nkengera y'uruzi Nile. |



97Page

**Uwuvuga** Mushiki w’uwo mwana yitwa Miriyamu yahagarara kure kugira ngo arabe ivyoshikira uwo mwana. Ako gatebo karimwo uwo mwana karerembा hejuru ku mazi hama gashika aho umukobwa wa Farawo ariko ariyuhagira hanyuma abona ako gatebo mu rufunzo.

**Umukobwa wa Farawo** Nzanira karya gatebo! Oooh uyu ni umwe mu bana b’abaheburayo! Dukore iki?

**Uwuvuga** Ni uko Miriyamu agenda anyaruka abwira umukobwa wa Farawo.

**Miriyamu** Muhanyi, ndakuronderere umwe mu bagore b’abaheburayokazi akwonkereze uwo mwana?

**Umukobwa wa Farawo** Wobishobora? Ego, genda

**Uwuvuga** Miriyamu agenga ariruka i muhira ahimbawe.

**Miriyamu** Mawe umukobwa wa Farawo yatoye wa mwana wacu kandi ariko arondera umuntu yomumwonkereza. Mama, Wogenda.


**Nyina w’umwana** Iki? Ni ukuri? Ooh Mana! Shimwa!

**Uwuvuga** Nyina wa wa mwana yiruka iyo umukobwa wa Farawo ari. Ariko yigira nk’uwutazi uwo mwana.

**Umukobwa wa Farawo** Akira uyu mwana uzomunyonkereze?

**Nyina w’umwana** Ego muhanyi nzobikora.

**Uwuvuga** Ni uko muri iyo nzira, Imana ishira uwo mwana mu biganza vya nyina wiwe.




98Page

**Uwuvuga** Umukobwa wa Farawo yitaba uwo mwana Mose bisigura ngo nagukuye mu mazi. Mose arakura aba umwana akomeye kandi w’amagara meza. Nyina wiwe amubwira ukuri amaze guca ubwenge.

**Nyina wa Mose** Uri umuhungu w’umukobwa wa Farawo ariko uri umwisirayeli. Rero naho uba ku kirimba ntuze wibagire umubabaro w’abisirayeli.

**Uwuvuga** Nyina wa Mose amwigisha gukorera Imana. Mose abana ku kirimba n’abandi baganwa nk’umwuzukuru wa Farawo. Aronka indero yo ku kirimba kandi yigishwa kuzoba umuhizi.



99Page

**Uwuvuga** Inyuma y’imyaka itari mike, Imana ihamagarira Mose kuba umuyobozi w’igitangaza w’Abisirayeli. Nk’uko ijambo ryayo ryabivuze, Mose arongora abisirayeli abakura muri Egiputa, abasubiza mu gihugu ca ba sokuruza.

**Abaja** Raba turidegemvya! Ntitukiri abaja!

**Uwuvuga** Abisirayeli baranezerwa cane. Batambukana na Mose nk’abahizi. Imana ikiza abisirayeli imiruho bagiriye muri Egiputa. Abasiriyeli ubu baridegemvya batazira Uhoraho kandi babaho nk’ihanga ryiwe.